
GUHISHURIRWA NO GUHUMEKERWA



Icigwa ca 5 co kuwa 31 Gitugutu 2026

“ Uguhishura kwa Yesu Kristo, ukwo yahawe n’Imana ngo yereke abagurano biwe ibigira bibeho vuba, agatuma umumarayika wiwe akabimenyesha umugurano wiwe Yohana, yashingiye intahe ivyo yabonye vyose, ni vyo jambo ry’Imana, no gushinga intahe kwa Yesu Kristo.” (Ivyahishuwe 1:1-2)



Ivyahishuwe 1:1-2 harimwo akarorero k'ingene Imana iduhishurira ubutumwa bwayo iciye ku muhanuzi:

Imana ihishurira ubutumwa bwayo Yesu → Yesu ahishurira ubwo butumwa marayika → Marayika ahishurira ubwo butumwa Yohana, umuhanuzi → Yohana ashira mu nyandiko ubutumwa yahawe



Ariko ubu si bwo buryo bwonyene Imana yihishuriye abahanuzi, canke ngo ubutumwa bwayo bubashikire mur'ubwo buryo. Tuzokwiga uburyo butandukanye Imana yihishuriye abahanuzi kandi ikabahumekera.



Guhishurirwa no guhumekerwa:


- Ivyahishuwe rusangi n'ivyahishuwe vyihariye
- Intambuko zo guhumekerwa

Ubwoko bw'uguhanahana amakuru kwa gihanuzi:

- Ubutumwa buciye mu kuvuga
- Ubutumwa buciye mu nyandiko
- Ibikino, ibimenyetso, imigani



GUHISHURIRWA NO GUHUMEKERWA



UGUHISHURIRWA RUSANGI HAMWE N'UKWIHARIYE

"Amajuru yamamaza ubwiza bw'Imana;ibirere bimenyesha igikorwa c'intoke ziwe."
(Zaburi 19:1)


"Iyo hari uwuvugishwa n'Uhoraho muri mwebwe,ndamwihishurira mu vyo yerekwa,nkavugana na we mu ndoto." (Guharura 12:6)



Paulo avuga yuko abahakana ko Imana ibaho "ata co bafise bireguza," kuko ibidukikije bihishura "ibitaboneka vyayo, bibonwa neza, [...] mbere n'ububasha bwayo budashira be n'ubumana bwayo" (Rom. 1:20; Zab. 19:1).

Turashobora kubona ingene Imana yabonye imbere y'igihe ukwinjira kw'icaha mu bubasha bwo gusubiza ubuzima bushasha yashize mu ngiro mu binyabuzima. Iyo dukomeretse, haca haronderwa uburyo bwo kwugara igikomere no gusubiza ubuzima mu mubiri. Kandi izo nzira ziba zari zisanzwe zihari imbere y'uko ico gikomere kiza!

Ariko ibidukikije, kuva Adamu na Eva bagwa, na vyo nyene bihura n'ingaruka z'icaha (kuryana kw'ibikoko, nyamugigima, ...)



Kubera iyo mpamvu, Imana yarashizeho ubundi buryo burashe kuruta kugira ngo yimenyekanishe: ihishurirwa ridasanzwe biciye ku bahanuzi na Yesu Kristo, nk'uko vyanditswe muri Bibiliya, Ijambo ry'Imana (Heb. 1: 1-2).



INTAMBUKO ZO GUHUMEKERWA

"Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana kandi bifise akamaro ko kwigisha ukuri, kwiyamiriza ibibi, gukebura no gutoza indero nziza mu bugororotsi"
(2 Timoteyo 3:16)



Mu binjana n'ibindi, ibikorwa vy'Imana n'ubutumwa bwayo vyarashikirizwa mu kuvuga n'umunwa gusa, gushika aho Imana ihumekeye Mose kwandika ivyo bikorwa n'amajambo mu nyandiko.



Kuva ico gihe, ubutumwa Imana yashaka kuzigama bwanditswe n'abantu "bahumekewe", ni ukuvuga bayobowe na Mpwemu Yera (2 Petero 1:21). Ivyo bituma Bibiliya iba igitabu kidasanzwe, kirimwo ivyo Imana yahishuye vyose.

None ubwo buryo bwo guhumekerwa bwari butunganijwe gute?



Biciye mw'iyerekwa no mu ndoto (Guharura 12:6)



Biciye ku vyo umuntu yiboneye (1 Yohana 1:3)



Biciye mu bushakashatsi bw'amateka (Lk. 1: 3)



Biciye mu kwiyumvira ku bintu vy'Imana (2Pet. 1:21)








UBWOKO BW'UGUHANAHANA AMAKURU KWA GIHANUZI

UBUTUMWA BUCIYE MU KUVUGA

" Kand' ashira Abalewi mu ngoro y'Uhoraho bafise ivyo kuvuza vyitwa matowazi n'amakembe n'inanga, nk'uko vyashinzwe na Dawidi na Gadi kamenyi w'umwami na Natani yavugishwa n'Imana, kukw ico cagezwe cari kivuye k'Uhoraho agitumye abo yavugisha."
(2 Ngoma 29:25)

Imana yaravuganye n'abantu ata guca ku ruhande ibihe bine :



Kuri Adamu na Eva (Itang. 2: 16-17)



Igihe yatanga ivyagezwe 10 (Gus. 4 :12)




Mu kubatizwa kwa Yesu (Mt. 3: 17)



Mu gukayangana (Mariko 9 :7)

Ku ruhande rwabo, abahanuzi bashikiriza n'akanwa amajambo yatanzwe n'Imana, bakavuga neza bati : "Uku ni ko Yehova avuze" (Abac. 6 :8). Ubwo butumwa—nk'uko vyagendeye Nowa—ntibwama bwanditswe mu nyandiko.



Tuzi gusa amajambo y'abahanuzi benshi biciye mu nyandiko z'abandi, yamara bari bafise ububasha nk'ubw'abasiga ubutumwa bwabo mu nyandiko. Muri abo harimwo Natani, Eliya, Elisa na Yohana Umubatizi.





UBUTUMWA BUCIYE MU NYANDIKO

"Uhoraho abarira Mose, ati Ni wandike ivyo mu gitabo, bibe icibutso" (Kuvayo 17:14a)

Ni izihe mpamvu zimwe zimwe zatumye Imana ifata ingingo yo gusiga ubutumwa bwayo mu nyandiko?

- Kugira ngo twibuke ivyabaye (Kuv. 17 :14)
- Kugira ngo itwigishe (Umus. 12 :10)
- Kugira ngo idutumirire kwihana (Yer. 36 :2-3)
- Kugira ngo iduhe uturorero twokwigana canke twokwanka (1 Kor. 10:11)
- Kugira ngo tumenye ivya kazoza (Ivyah. 1 :19)



Muri Bibiliya, abahanuzi baraseruye ingene bo ubwabo bavyakira nk'abantu, be n'ingene abandi bantu bavyakira. Irimwo ivyese , inkuru z'ivya kahise hamwe n'insiguro zanditswe. Rimwe na rimwe irimwo amajambo yasubiwemwo n'abanditsi batari aba Bibiliya canke amategeko y'abami b'abapagani.

Ariko rero, nta n'ingero z'uguhumekerwa dusanga muri Bibiliya. Yaba yanditsemwo insiguro, ibintu vyabaye canke ubuhanuzi, vyose vyahumetswe n'Imana kandi iduha mu bwizigirwa ubutumwa bwayo mu bihe vyose (2 Tim. 3 :16-17).

IBIKINO, IBIMENYETSO, IMIGANI

"Navuganye n'abo navugisha, nagwije ivyo nerekanye; naciye imigani, ncishije mu bo navugisha." (Hoseya 12:10)



IBIKINO











Uretse inkuru z'akahise, amajambo y'imigani, ivyese canke insiguro, Bibiliya irimwo ubutumwa bwinshi bushikirizwa biciye mu bikino, mu bimenyetso no mu migani.

Ezekiyeli 4:1-8. Imana yasavye Ezekiyeli gukora igicapo ca Yerusalemu kugira ngo kigereranye ukuntu igisagara casugerejwe n'ugusenyurwa.

Hoseya 1:2-9. Imana yategetse Hoseya kurongora umusambanyikazi kugira ngo agereranye ubuhemu bwa Isirayeli.

1 Abami 20:37-42. Umuhanuzi asaba uwundi kumukubita maze yigira nk'uwakomerekeye ku rugamba kugira ngo ahane igicumuro ca Ahabu.

Yeremiya 13:1-11. Ku bw'itegeko ry'Imana, Yeremiya yaraguze umukanda arawunyegeza. Mu nyuma, Imana yamubwiye ngo awugarukane kugira ngo yerekane ukuntu Yerusalemuu yari imeze mu vy'inyifato runtu.

IBIKINO, IBIMENYETSO, IMIGANI

IBIMENYETSO



Kuvayo 25:8. Abaherezi, Ihema, n'ibikorwa vyaryo ni ibimenyetso vyo gusigura mu buryo buramvuye Umugambi w'Agakiza.

Ivyahishuwe 13:2. Daniyeli n'Ivyahishuwe hakoresha ibimenyetso (nk'ibikoko, amahembe, ...) kugira ngo bigereranye ibintu vy'ukuri vy'akahise.



Yohana 15:1. Yesu yakoresheje ibimenyetso nk'umuco, umuzabibu, umwungere mwiza... mu gusigura igikorwa ciwe bwite.







IMIGANI


Yesaya 5:1-7. Abahanuzi bakoresheje imigani kugira bahamagarire abantu kuzirikana uko ivy'impwemu vyabo vyifashe.

Matayo 13:5. Yesu yarakoresha cane imigani mu kwigisha ukuri kwo mu vy'impwemu.

“Bibiliya irahishura ukuri mu buryo bworoshe kandi buhuye neza n’ivyo umutima w’umuntu ukeneye be n’ivyo wipfuza, ivyo bikaba vyatangaje kandi bikaryohera ubwenge bwize cane, mu gihe bishoboza abicisha bugufi kuruta abandi bose kandi batagira akaranga gutahura inzira y’agakiza. […] Kubw’ivyo Umugambi w’Agakiza waraduhishuriwe, kugira ngo buri mutima wose ushobore kubona intambuko wokora werekeza ku kwihana ku Mana no kwizera Umwami wacu Yesu Kristo, kugira ngo bakizwe mu nzira yashinzwe n’Imana. […] Uko arushiriza [p. 108] gusesangura Bibiliya, ni ko arushiriza kwemera yuko ari ijambo ry’Imana nzima, kandi ubwenge bwa muntu buracishwa bugufi imbere y’ubwiza bw’ivyo Imana yahishuye.”

EGW (Gutumbera Yesu, p. 107)

UMUGEREKA: IVYAHISHUWE N'IVYAHUMEKEWE MURI ELLEN G. WHITE



Ellen White yari yahumekewe n'Imana. Ivyo yanditse, ubuzima bwiwe be n'igikorwa ciwe bihuye n'uburanga bw'umuhanuzi w'ukuri. Yari afise uburanga nk'ubwo abahanuzi bo muri Bibiliya bari bafise, naho nyene atigeze afata ivyo yanditse ko bingana n'ivyo mu Vyanditswe vyera vya Bibiliya. Yama abona ko Bibiliya ari yo Imana yahishuye ko ari yo ifise ububasha kandi itagira amahinyu.

Yaremeye ko uburyo bw'uguhumekerwa burimwo ugukorana hagati y'Imana n'umuntu. Imana yaratanga ubutumwa bwayo, ariko uwo muhanuzi aca atanga inyigisho ziva ku Mana akoresheje amajambo yiwe bwite. Yaratahura ko ivyiyumviro vy'abantu bihumekerwa n'Imana nk'ubumwe buri hagati y'ivyo Imana ihishura n'ivyo umuntu abona.



Yarerekanye ko ivyo abantu baciyemwo vyose be n'ibiganiro yashikirije vyose atari ivyahumetswe. Ni ngombwa ko umuntu aguma yibuka iryo tandukaniro igihe asoma kandi ariko arakorana n'ivyo yanditse n'ivyo yiboneye, cane cane amakete yandika n'inyandiko ziwe z'amakuru (journaux)..



